Budget 2020–21

Bije Uburyo Iboneka

Ikori ritoya ku benegihugu ba Australia bakora cane

Muri iyi Budget, Reta yongereje ayandi mahera angana na $17.8 billion yo kugabaniriza abantu ikori kugira ngo ishigikire ukwongera kuvyuka kw'ubutunzi, harimwo kwongera ayandi mahera angana na $12.5 billion muri ayo mezi cumi n'abiri ari imbere. Yubakiye kuri $8.1 billion yari yashizweho kugira ngo agabanure ikori azotangwa mu mahera azokwinjizwa mu mwaka wa 2020-21 hisunzwe integuro y'ikori ku muntu wese ryashinzwe.

Hisunzwe impinduka za Reta, abantu bazogira akunguko mu kwigiza imbere ukugabanuka kw'ikori mu kiringo ca kabiri 2 c'integuro yayo, co kimwe n'iyindi nyungu imwe yongerejwe ku bantu bari hagati na hagati n'abafata amahera makeyi yakuweho mu mwaka wa 2020-21.

Gushigikira iyubakwa ry'amazu

Nk'integuro yo kwongera kuvyura ubutunzi bwacu yo kurema ubuzi, kwongera kwubaka ubutunzi bwacu kandi tukubaka kazoza keza ka Australia, hongeweko abantu bashika 10,000 bagura uburaro bwabo bwa mbere bazoshobora kugura inzu nshasha mu kiringo gito hisunzwe ukwongereza umutahe w'ingurane y'abagura ubwa mbere inzu.

Ukwongereza ibibanza 10,000 kuzotangwa mu mwaka wa 2020-21 kugira ngo bashigikire abagura inzu ya mbere canke iyindi nzu yubatswe ugushasha. Ibi bizotuma abagura inzu babamwo ubwa mbere baronka ingurane yo kwubaka iyo nzu canke yo kugura inzu yubatswe nshasha ahejeje gushirako amahera angana n'ibice bitanu kw'ijana, Reta na yo ikemeza gutanga ibice cumi na bitanu kw'ijana vy'iyo ngurane.

Gushira amahera mu nyubakwa

Guhera mu ntango y' ikiza ca COVID-19 Reta yariyemeje kwongereza ayandi mahera angana na $14 billion mu mignabiy'inyubako nshasha zihutishijwe mu myaka ine iri imbere. Iyo migambi izoshigikira ubundi buzi bungana na 40,000 muri izo nyubako.

Ayo mahera yashizwemwo ni igice kigize imyaka cumi ya Reta yo mu nyubako z'ugutwara ibintu n'abantu, yongeweko ishika kuri $110 billion kandi ija yaratanguye gushigikira ubuzi 100,000 aho ivyo bikorwa bikorerwa mu gihugu cose.

Gushigikira urudandazwa n'amahera abantu bashize mu bikorwa

Mu gushigikira amahera mashasha abantu bashize mu bikorwa kandi n'ukurwiza ihanahanwa ry'amahera muri ivyo bikorwa, Reta iriko iratanga akarusho k'imfatakibanza k'amakori, kazoboneka ku bantu bashika kuri 3.5 million bakora urudandazwa (hejuru y'ibice 99 kw'ijana vy'urudandazwa) rukoresha hagufi abakozi bababa 11.5 million. Ako karusho kazoshikana hagufi amahera angana na $200 billion yo gushira mu bikorwa, harimwo ibce 80 kw'ijana y'amahera yashizwe mu bikorwa mu nyubako zikoreshwa n'abadacukura ubutare. Guhera isaha 7:30pm (AEDT) italiki 6 Gitugutu 2020 gushika italiki 30 rugeshi 2022, ibikorwa bikoresha amahera angana na $5 billion bizoshobora gukuramwo ikiguzi cose gikoreshwa ku nyubako zisaza z'igiciro ico ari co cose mu mwaka zashinzwemwo. Igiciro co kuzisubiramwo no kuzigira neza cashitsweko muri iki kiringo na co nyene gishobora gukurwamwo atagihaze.

Reta vyongeye izokwemerera amahinguriro afise amahera yababa $5 billion gukuramwo ubuhombe bwagizwe ku nyungu z'imyaka yaheze ayo ikori ryarishweko, kugira ngo habeho amahera yo gusubizwa. Ubuhombe bwagizwe buzosubizwa ku rugero rugana rw'amahinguriro angana na 1 million akoresha abakozi bangana na 8.8 million. Ubuhombe bwagizwe kuger mu mwaka wa 2021-22 bushobora kugarukanwa ku nyungu zagizwe mu myaka ya canke inyuma y'imyaka ya 2018-19. Amahinguriro yemerewe ashobora kwakira ugusubizwwa ikori igihe berekanye bagasaba ugusubizwa amakori ya 2020-21 na 2021-22 basaba gusubizwa amakori.

Australia y'ubuhinga

Ikiza ca COVID-19 carihutishije ugukoresha ubuhinga bugezweho mu rudandazwa rwo muri Australia hamwe no mu baguzi vyashoboje benshi guhindura uburyo bahora bakoramwo kandi bakabandanya gucuruza no guhanahana ivyo bidandazwa mu gihe c'ico kiza.

Integuro y'ubuhinga bw'urudandazwa ya Reta izokwubakira kuri ibi bishobisho vy'ugushigikira irindi koreshwa rikomeye ry'ubuhinga bushasha mu butunzi bugize igihugu– ku rudandazwa ubwarwo no ku baguzi.

Ayandi mahera yongeweko angana na $4.5 billion yashizwe muri NBN Co azozana ubuhinga bwa broadband bwihuta cane ku ma miliyoni y'imiryango y'abantu no ku bikorwa n'urudandazwa. Gushiramwo amahera angana na $29.2 million na yo nyene azokwihutisha gushika kuri 5G.

Ukworohereza ugukora urudandazwa

Kugabanya ingorane ni urupfunguruzo rw'integuro ya Reta y'ukuvyura ubutunzi kurin Australia. Ni co gituma Reta iriko irorohereza abakora urudandazwa kugira ngo bashiremwo amahera, bareme ubuzi, kandi batorere umuti ningoga ibibazo kandi ako karyo ntikabarengane kandi ntikabacike.

Muri iyi Budget, Reta izokora ibi bikurikira:

- Gushira ku rutonde no gukoresha ubuhinga bugezweho ku bintu vyahora bikorwa
- Gukuraho amategeko atuma habaho ugutanga amahera bitari bikenewe kandi bikazibira igikorwa c'urucuruzi bitari ngombwa
- Gushigikira udukorwa duto duto biciye kuvyura ubutunzi

Kurema akazi biciye mu gufata ingurane

Ukurema akazi gushasha kwa Reta biciye mu gufataingurane bizofasha mu kwihutisha ugukura mu guha akazi abantu benshi mu guhe c'ukuvyura ubutunzi mu gushikiriza abafise ibikorwa bakora nk'urudandazwa uturusho kugira ngo bahe akazi abantu benshi bakiri bato barondera akazi guhera ku myaka ya 16 gushika ku myaka 35. Kurema akazi kwa Reta biciye mu gutanga ingurane ni urupfunguruzo rwo gutera ijeke ukuvyuka kw'ubutunzi bwa Australia.

Kurema akazi biciye mu gufata ingurane vyibazwa ko **bizoshigikira nk'ubuzi bungana na 450,000 ku bantu bakiri bato k**andi bukazotwara igiciro kingana na $4 billion guhera mu mwaka wa 2020-21 gushika muri 2022-23.

Gushira amahera mu ndero, mu myuga no mu kwigira ku bandi

Reta iriko irashira imbere ukwiga imyuga imbere y'ibindi bintu vyose nka kimwe mu bigize integuro y'ukurema akazi. Ukwiyemeza kwa Reta kuzoshigikira ukuronka akazi kw'abantu batari bake kandi bigaragare ko abenegihugu ba Australia bafise imyuga ikwiye ku buzi muri kazoza.

- Umwigisha w'akazi -bigwiza abakozi muri Australia
- Kwiga ukundi gushasha kugira ngo bifashe ukuvyuka kw'ubutunzi
- Gushigikira abarondera akazi
- Ubuzi bwinshi -abahejeje gutsinda amashuri bazoba biteguye
- Ivyigwa bitangwa mu biringo bito bito kugira ngo bogere bahe ubwenge n'umwuga hamwe no gukuza ubumenyi bwabo ku benegihugu ba Australia

Guha umutekano ubutunzi ku bagore

Reta iriko iraha abagore ico yise guha umutekano ubutunzi ku bagore mu mwaka wa 2020 kugira ngo igwize abakozi b'abagore na bo bagire uruhara mw'iterambere, bagwize ukuronka amahera kandi bitume habaho umwidegemvyo mu butunzi. Amahera angana na $240.4 million azotanga ubuzi, ashigikire abavyeyi kandi ashigikire abagore aho bakorera.

Muri ibi harimwo intonde z'akazi zo gushigikira uburongozi bw'abagore n'ukubateza imbere, kandi no kugwiza uburyo ku bagore mu buhinga, mu biharuro, no mu gukora ibintu vy'ubuhinga (STEM), mu rudandazwa n'inganda ziharijwe ahanini n'abagabo.

gushigikira uguhingura ibintu, ubushakashatsi n'iterambere

ikiza ca COVID-19 carasutse umuco ku kamaro kanini k'urukurikirane rw'aho ibintu bikomoka kandi n'ugukora ibintu mu buryo bworoheje, bufatira ku bihe kandi buvumbura ibintu bishasha bitari bisanzwe biriho.

Integuro igezweho ya Reta y'amahera $1.5 billion yo gushira mu mahinguriro ni integuro ndende yo gushigikira ugukanguka kw'ubutunzi bwa Australia.

Reta iriko irongereza amahera angana na $2 billion ibicishije mu bushakashatsi no gutanga uturusho mu kugabanya ikori.

Umutekano mu masoko ntanganguvu no guhindura amasoko

Mu gihugu cose, ibiciro vy'umuyagankuba vyo mu mazu vyaragabanutse kugeza ku bice 4.7 kw'ijana guhera muri Kigarama mu mwaka wa 2018, kandi n'ibiciro vy'umuyagankuba vyaragabanutse mu mezi 12 aheze. Kugira ngo tugumane ibiciro vyo hasi, Reta izokorana n'abikorera utwabo kugira ngo hagwizwe ibizana umuyagankuba no kurwiza abakozi mu gihugu kugira ngo habeho ugukora neza n'ubuhinga bwubatswe neza.

Reta iriko irashiraho umuyagankuba wa Australia, igitoro, n'abatanga gas kugira ngo ibiciro bigume biri hasi, gushiraho no kurema ubuzi bushasha kandi no gushigikira amahinguriro akozwe n'abenegihugu.

Gushigikira intara kugira ngo zibe ziteguriye ivyoshika vyose

Reta ibandanya gushigikira uburere bwo muri Australia bwaciwemwo n'umwuzure, imiriro ya nyakanga, uruzuba kandi ubu na ho, COVID-19. Biciye mu mahera yo gushigikira uturere arenga $550 million, Reta izoshigikira intara zacu kugira ngo zivyuke, zikire ingaruka za COVID-19. Ibi vyubakiye ku mfashanyo zatanzwe biciye mu mahera angana na $1 billion yo kugarukira abaciweko na COVID-19 n'amahera y'ukuvyura ubutunzi.

Australia ifise ivya ngombwa kandi yiteguye guhangana n'ibibazo vyose vyoyishikira

Reta iriko irubaka ibijanye n'inyubako z'amazi zo mu kinjana ca 21 mu gufasha kurwiza amazi, mu kwubaka ukwikwiza n'uguhangana n'ibibazo hamwe vyadutse, gutanga ubuzi hamwe n'ugukuza ibijanye n'uburimyi vyacu bukenewe muri iki gihe. Amahera angana na $2 billion y'imigambi mishasha biciye mu mupfuko mu w'inyubako z'igihugu cose z'amazi bizoshigikira urunganwe ruzokurikira rw'inyubako z'amazi biciye muri ako kayungiro.

Reta vyongeye iriko irashiraho amahera angana na $270 million mu kibano ca Murray-Darling bizoteza imbere amagara y'ababa aho hantu kandi bigashigikira iterambere ry'ako gace kose.

Kugira ngo tumenye neza ko Aurstralia ya ruguru ishobora kubandanya kuronka inyungu zikomotse mu nyubako zo gushigikira ibikorwa ntahara, Reta yarunguye ibijanye n'inyubako zo muri Australia ya ruguru (NAIF) ku myaka yongeweko itanu, gushika muri Ruheshi 2026, kandi yarunguye ibisabwa mu kugurana amahera.

Gukingira ibidukikije vyacu

Reta iriko irashiramwo amahera angana na $47.4 million yo gukingira ibiyaga vyacu kandi no mugusubizamwo ibinyabuzima vyahozeho kandi iriko irashiraho amahera angana na $29.1 million kugira ngo igabanure akaga gaterwa n'ibiva mu nganda vy'ubumara bwandukira mu bihugu vyose bigize Commonwealth.

Reta izoshiramwo amahera angana na $249.6 million mu myaka ine kugira ngo ishire ku buhinga bugezweho gukoresha inyubako zisubirizwa, kugabanya umucafu, kandi kugira ngo vyinshi vyongere bikoreshwe muri Australia ntihagire igitakara.

Gukinga, gusuzuma no kuvura COVID-19

Muri iyi Budget (amahera yategekanijwe), Reta izoshiraho $4.9 billion ku mategeko yerekeranye n'amagara y'abantu kugira ngo abenegihugu ba Australia bose babandanye kuvugwa no gushigikirwa bakeneye muri iki gihe cose c'ikiza. Inyishu itari ntabanduka kandi ishobora kwunguruzwa ishoboza ibigize amagara y'abantu

kwihuta gutorera umuti ibibazo no gukingira abenegihugu ba Australia bose.

Gushigikira Abenegihugu ba Australia muri iki kiza

Reta izotanga imfashanyo idasanzwe ku benegihugu ba Australia kugira ngo ibashigikire muri iki kiza ca COVID-19, kandi mu vyo izotanga harimwo:

- Guhemba abagumije akazi
- Kwongerereza amahera ku bantu
- Kwongerako uguhemba incuro zibiri mu vyerekeranye n'ugushigikira ubutunzi ku bakukuruke hamwe no ku bandi bantu bakwije ivya ngombwa
- Gushobora kuronka mu buryo mfatakibanza akarusho k'impembo yo ku mwaka

Kazoza kawe, ibirengeye vyawe

Reta yiyemeje gukoresha cane Abenegihugu ba Australia kugira ngo bashobore kwiziganiriza ivyo bazokoresha mu bukukuruke bwabo.

Isubirwamwo rya Reta rya kazoza kawe*, n'amategeko ajanye n'ukwiziganiriza* ni intambuko ikurikira y'amategeko ahinduwe ya Reta kandi azofasha abenegihugu ba Australia kuziganya $17.9 billion mu myaka cumi iri imbere.

Kugumiza abenegihugu ba Australia mu mutekano

Ububasha bw'umutekano wa Australia ni bunini cane, ariko turafise intambamyi nyinshi ziguma ziyongera ku buhinga ngurukanabumenyi. COVID-19 yarerekanye ingenetubaho kandi n'ukugene dukorera ku buhinga ngurukanabumenyi. Reta izotanga ayandi mahera angana na $201.5 million kugira ngo ikingire umutekano ku buhinga ngurukanabumenyi mu mwaka wa 2020.

Reta irashigikira abo bose batuma tuba mu mutekano mu gushiraho amahera angana na $300.2 million yo guha AFP kugira ngo akomeze uburyo bwabo bwo kugumiza abenegihugu ba Australia mu mutekano mu kibano kibandanya cononekara kandi giteye ubwoba.

Gushigikira akarere kacu

Australia irafise inyungu ikomeye mu mutekano, mw'iterambere hamwe no mu gushobora guhangana n'icoza cose muri Pacific no mu buraruko bushira uburengero bwo muri Asia, igaragarira mu gushira hejuru Pacific n'utundi twigoro n'ibikorwa bikorwa. Reta iriko iraraba ko habaho ugukanguka mu butunzi mu karere kacu:

- Mu gushira amahera mu rucanco rwa COVID-19 no mu rutonde rw'umutekano w'amagara muri Pacific no mu buraruko bushira uburengero mu bihugu vya Asia.
- Umupfuko wo guteza imbere inyubako za Australia kuri Pacific
- Ugukira COVID-19 – imfashanyo yo kuri Pacific na Timor-Leste
- Gutanga imigambi y'inyubakwa z'umutekano muri Southwest Pacific